**INAMA**

**NKENGUZAMATEKA**

**SENAT**

Adresse : Avenue du Peuple Murundi

B.P. : 114 Gitega

Tél. : (+257) 22 40 50 08

22 40 50 23

Site Web : www.senat.bi

e-mail : info@senat.bi

*N.Réf: SNB/COM. III/ ....... /2023*

***Commission permanente chargée des questions économiques, de l'environnement, des finances et du budget***

REPUBLIQUE DU BURUNDI

**LEG VI/Q.O. N °19**

**Le 21 AOUT 2023**

# IKIBAZO CIYAGUYE GISHIKIRIJWE UMUSHIKIRANGANJI MU VYO AJEJWE HARIMWO INYUBAKO N'UBURARO N'UMURWI WAMAHO UJEJWE IBIBAZO VY'IBIDUKIKIJE N'UBUTUNZI

## I. INTANGAMARARA

Ibwirizwa Shingiro rya Repubulika y'Uburundi mu ngingo yaryo ya 163 riraha Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka ububasha bwo kugenzura ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa vya Reta.

Muri iyo ntumbero, umurwi wamaho ujejwe ibibazo vy'ubutunzi n'ibidukikije warateguye ikibazo ciyaguye gishikirijwe Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo inyubako n'uburaro. Ico kibazo kikaba cerekeye iringanizwa n'ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa Reta y'Uburundi iriko irarangura ibicishije muri ubwo bushikiranganji. Ivyo bibazo bikaba vyerekeye ahanini gusanura no kwubaka inyubako rusangi za Reta n'iz'amakomine hamwe n'ishirwa mu ngiro ry'umugambi w'uburaro bwiza kuri bose (politique des logements sociaux).

Aha turavuga nk'ibijanye no kwubaka no gusanura amabarabara yasambutse, umugambi wo kwubaka ibitaro bikuru vy'amakomine, hamwe n'izindi nyubako za Reta.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

## II. IBIBAZO NYEZINA

**IKIBAZO CA 1 :**

Mu nyubako za Reta ziriko zirubakwa, aha turavuga cane cane ibitaro bikukira amakomine bisanzwe biri mu migambi ya Reta kugira ngo begereze ubuvuzi abenegihugu n'amazu Reta yokoreramwo kugira ireke gupanga.

a) **Nyakwubahwa Mushikiranganji, turipfuza kumenya igitigiri c'izoba ziriko zirubakwa, aho izo nyubako zigeze n'aho ziherereye ?**

**b) Mbega ivyigwa vy'izo nyubako bikorwa na bande ? Ikurikiranwa ry'ingene ubuhinga bwo kuzubaka buriko buragenda bikurikiranwa nande ?**

**IKIBAZO CA 2 :**

Reta Mvyeyi Reta Nkozi ibicishije ku bushikiranganji mujejwe yariyemeje gusanura amabarabara makuru makuru muco bise « zéro-nids de poules », aho hari mu kwezi kwa Mukakaro 2022. Uwo mugambi abenegihugu muri rusangi, na cane cane abagendesha imiduga n'abatwara abantu n'ibintu bawakiranye akanyamuneza kenshi kuko babona ko bagiye kworoherwa mu kwiyunguruza kandi ko imiduga yabo n'ibidandazwa vyabo bitazosubira kwononekara. Eka mbere bari biteze ko n'ingendo bafata mu kwiyunguruza zigiye gufata umwanya muto ugereranije n'uwo bamara bariko baca mu mabarabara yononekaye.

Uwo mugambi twarabonye ko watanguye mu bice bitari bike vy'igihugu, turatanga akarorero k'amabarabara yo mu gisagara ca Bujumbura n'ayandi makuru makuru aduga mu ntara zo mu gihugu hagati. Ariko umuntu aravye umurindi w'ibikorwa n'ubukomezi bw'ibimaze gusanurwa yokwibaza ibibazo bitari bike.

**a) Nyakwubahwa Mushikiranganji, mbega ko tubona umurindi w'ibikorwa wagabanutse, mbere bikaba bisa n'ivyahagaze, ingorane mwagize ni izihe ?**

**b) Mbega ko n'aho mwasanuye tubona ikaburimbo mwashizemwo yatanguye kuvako ata n'amezi atatu arahera, mubona ibikorwa vy'uwo mugambi bizorama koko ?**

**c) Ni igiki gituma bisambuka ata n'akanya kahaciye ? Ibikorwa n'ibikoresho hamwe n'abahinga bashira mu ngiro uwo mugambi wo gusanura ayo mabarabara vyoba bikwije ibisabwa n'ubuhinga bugezweho ?**

**d) Ni bande bakurikirana ivyo bikorwa vyo gusanura amabarabara bobazwa ibitariko biragenda neza ?**

**e) Muriko mukora iki kugira uwo mugambi ushirwe mu ngiro neza Reta ireke kuhahombera na rirya tuzi ko ibikorwa biriko bitwara amafaranga menshi cane ?**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

**IKIBAZO CA 3 :**

Reta y'Uburundi yaramaze kubona ko isi ndimwa itera yaga mu gihe abantu na bo batera bagwira ku rugero runini, bagakenera aho baba (uburaro) n'aho barima. Reta y'Uburundi irategera rwose ko kugira ishike ku mbono z'igihugu giteye imbere abarundi dutegerezwa guhindura ingendo n'imbono mu bisata vyinshi bijanye n'ubuzima bw'igihugu.

Reta Mvyeyi Reta Nkozi ibicishije ku bushikiranganji murongoye yihaye ihangiro ryo kugwiza uburaro n'inyubako mu bisagara tutarinze kwagura ibihasanzwe, ahubwo bakubaka amazu ageretse kugira baronse uburaro bwinshi ababukeneye kandi ku giciro kitavuna. Ivyo bikazotuma dushobora kuziganya isi ndimwa, gutyo uwo ukaba umugambi umwe muyizotuma igihugu cacu gishobora gushika ku mbono cihaye ivuga ko mu mwaka wa 2040 Uburundi coba ari igihugu kiriko kirazamuka mu vy'ubutunzi ku buryo muri 2060 coba ari igihugu giteye imbere.

Muri iyo ntumbero Ubushikiranganji murongoye bwari bwatangaje ko uhereye muri iri ci ry'umwaka wa 2023 bugiye gutanguza icese ishirwa mu ngiro ry'umugambi wa politique des logements sociaux. Hakaba hategekanijwe ko buri mwaka hazokwubakwa amazu ibihumbi mirongo itatu na bitatu (33 000 maisons par an) ku buryo hitezwe ko umurindi wo kwijukira kuba mu bisagara (taux d'urbanisation) uzova ku rugero rwa 14% ugashika kuri 40% mu mwaka wa 2040.

Biravugwa ko mu ntango uwo mugambi uzohera ku ma sites ya SOCARTI mu Kamenge hamwe na KIZINGWE-BIHARA na NKENGA-BUSORO muri zone Kanyosha.
Muri Socarti na Kizingwe-Bihara ziri mu gisagara ca Bujumbura biravugwa ko muzohubaka amazu angana n'ibihumbi bitandatu. Umugambi tukabona ko ari mwiza cane kuko uzotuma abarundi benshi baronka aho baba ukagabanura n'ibiciro vy'amazu mu gisagara.

Ariko rero naho biri uko, ibibazo vyovyo ntibibuze. Ama sites ya Kizingwe-Bihara na Nkenga-Busoro haciye imyaka irenga cumi atanguye gutegurwa (viabilisation par intégration), ivyo bikaba vyatumye bene ama parcelles barindira umwanya muremure kugira baronswe uruhusha rwo gutangura kwubaka.

a) **Nyakwubahwa Mushikiranganji, mu gihe mutoca mutangura kwubaka ubu nyene ntimubona ko Reta n'abenegihugu bariko barahahombera kuko imyaka cumi umuntu arindiriye uruhusha rwo kwubaka akaguma apanze ni myinshi ?**

b) **Mbega ntimubona ko naho mwokwubaka izo nzu mukazishikiriza abantu, benshi muri bo batazoba bagifise ubushobozi bwo kuziriha kubera bazoba bariko baregereza gukukuruka mu buzi bakora na rirya tuzi ko ata handi bokura amafaranga yo kuziriha atari mu mabanki ?**

c) **Nyakwubahwa Mushikiranganji, ko twumvise mu kwubaka muzotandukanya abasangwa (53%) n'abahawe na Reta (acquéreurs, 47%), ntimubona ko vyari vyiza ko ivyo mwobikora mu maguru masha kugira ngo abo basangwa babone kuronka uruhusha rwo kwiyubakira amazu yabo igihe kitarabarengana rwose kuko imyaka cumi canke irenga ni myinshi cane barindiriye ?**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23

d) **Mbega ko twumva ngo no mubasavye Reta ibitigiri ni vyinshi (50.000) cane ugereranije n'ibibanza bizoboneka (6.000) mutegekanya kuzobigenza gute kugira ntihazojemwo ivya nkunzi na ka mwana wa mama ?**

**KUBW'UMURWI WAMAHO UJEJWE IBIBAZO VY'IBIDUKIKIJE N'UBUTUNZI ;**

**Umukenguzamateka NDIHOKUBWAYO Pacifique,**

**Umukuru w'umurwi.**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT